# Intambwe ku yindi m'umugambi ujejwe kwitaho impinja n'imicuko

**Incamake y'intambwe umuryango wawe ushobora gutera mu gihe uri mu mugambi wo kwitaho impinja n'imicuko.**



## INTAMBWE ZA MBERE: GUTANGURA

### 1 Kumurungika

- umuntu uwo ariwe wese, harimwo umuvyeyi, aragira impungenge ku vyerekeye kurungika umwana wiwe kw'ishirahamwe rijejwe kwitaho impinja n'imicuko.
- Kumurungika birashobora gukorwa biciye kuri terefone, fax, mu buryo bwanditse, canke imbona nkubone kw'ishirahamwe rikwegereye rya Children's Developmental Services Agency (CDSA).
- Iyo ikete ryo kumurungika ryakiriwe, umuhuzabikorwa w'ishirahamwe rijejwe kwitaho abana azogenwa kugira afashe umuryango wawe.

### 2 Guhura ubwa mbere

- Muri iki gihe co guhura ubwa mbere n'umuhuzabikorwa hamwe n'uwundi mukozi wa CDSA, uzobazwa ku vyerekeye umwana wawe, ugukura kwiwe, hamwe n'amakuru ya kera y'ubuvuzi bwiwe.
- Izi nama za mbere zizodufasha kwiga impungenge zawe hamwe n'ivyihutirwa, inkomezi z'umwana wawe muri iki gihe, hamwe naho akeneye gutera imbere, hatibagiwe iterambere hamwe n'intambamyi mushobora guhura mu gihe c'ibikorwa vya buri musi.

### 3 Amasuzuma n'amagenzura

- Kugira berekane nimba umwana wawe yemerewe mu mugambi ujejwe kwitaho impinja n'imicuko, isuzuma ry'ubushobozi bw'umwana wawe muri iki gihe rirashobora gukorwa.
- Amakuru yegeranijwe biciye mw'igenzura azotwereka inkomezi z'umwana wawe hamwe n'ibindi bice ivyo arivyo vyose ategerezwa kuronswamwo uturusho two kwitabwaho.

## INTAMBWE ZIKURIKIRA: IBIKORWA

### 4 Integuro y'ibikorwa bibereye umuryango (IFSP)

- Umwana wawe amaze kwemezwa ko yemerewe mu mugambi ujejwe kwitaho impinja n'imicuko, umuhuzabikorwa azoyobora itegurwa ry'integuro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP.
- Itegurwa ry'integuro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP ritegerezwa kuba mu gihe c'imisi 45 akimara kurungikwa.

### 5 Itangwa ry'ibikorwa

- Umwana wawe azoronswa ibikorwa nk'uko vyavuzwe mu nteguro y'ibikorwa bibereye umuryango ya IFSP.
- Ibikorwa vyavuzwe mu nteguro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP bitegerezwa gutangura bitarenze mu misi 30 inyuma y'itegurwa rya IFSP hanyuma igaterwako igikumu n'umuryango.

***Abavyeyi barashobora guhitamwo kubandanya kubushake bwabo, guhagarika kwemeza ukwemererwa, canke kuva mu mugambi igihe ico arico cose.***

### 6 Imyihwezo ya IFSP

- Nk'uko ivya nkenerwa vy'umwana wawe hamwe n'umuryango wawe bihinduka, ubufasha hamwe n'ibikorwa bitegerezwa navyo guhinduka.
- Integuro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP izokwihwezwa n'imiburiburi buri mezi atandatu kugira hizerwe neza ko ikiberanye nivyo wewe n'umwana wawe mukeneye kurusha ibindi.
- Urashobora gusaba isubigwamwo canke kwihweza integuro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP igihe ico arico cose.

## INTAMBWE ZO MURI KAZOZA: KUVA MU MUGAMBI

### 7 Gusohoka

- Abana basohoka mu mugambi ujejwe kwitaho impinja n'imicuko mu gihe batacemerewe mu mugambi canke igihe bujuje imyaka itatu y'amavuko.
- Integuro zo gusohoka mu mugambi ziravugwa mu nteguro y'ibikorwa bibereye umuryango IFSP.



Igisata kijejwe amagara y'abantu ca Carolina y'ubuseruko • Umugwi ujejwe ukubaho neza kw'umwana n'umuryango • Umugambi ujejwe kwitaho impinja n'imicuko • www.beearly.nc.gov/ • NCDHHS itanga amahirwe angana mu kazi no muvyo ikora. • 2/2023